www.kidworship.kr

# Yesu arakunda abana bato

- 3rd story -



17Page

**Uwuvuga** Yesu ashika mu gisagara c'abayuda ari kumwe n'abigishwa biwe kwigisha ijambo ry'ubwami bw'Imana. Aho Yesu yaja hose ishengero ry'abantu ryarakorana. Muri bo haba harimwo abavyeyi bazananye n'abana babo bato.

**Umuvyeyi umwe** Yesu yashitse mu gisagara iwacu.

**Umuvyeyi wundi** Mwananje, ingo tugende gusanganira Yesu twumvirize imi-hezagiro yiwe.

**Umwana** Yay~~

**Uwuvuga** Abana baranezerwa cane bumvise ko bagiye kuraba na Yesu!



18Page

**Uwuvuga** Ng'uriya! Yesu ari hariya! Abo bana barasimba biruka iyo Yesu ari. Ariko abana bagerageje kwegera Yesu, abigishwa biwe n'abavyeyi babo barabazibira.

**Umwigishwa umwe** Mushobora gute kuzana abana ngaha iyo Yesu ariko arigi-sha ijambo? Oya! Oya!

**Umwigishwa wundi** Abana barakubagana bakamuciramwo. Yesu ntaza kubikun-da! Bajane!

**Umwana** Ariko nshaka kubona Yesu nanje…(ararira).



19Page

**Uwuvuga** Yesu abibonye araraka, abarira abigishwa.

**Yesu** Reka abana bato baze aho ndi! Yaco mubabuza, kuko ubwami bw'ijuru ari ubwo abameze nk'abo. Bigishwa banje nkunda, ndababwire ukuri, mukwiriye kwakira ubwami bw'ijuru nk'akana gato- bitaruko, ntimuzokwinjirayo.



20Page

**Uwuvuga** Yesu yariko yakira abana bato. Yarabaterura akabashirako ikiganza akabahezagira.

**Umwana umwe** Ooh…Yesu, ubwanwa bwawe ni bwiza!

**Uwundi mwana** Tuyagire iyindi nkuru Yesu!

**Yesu** Ego, ego~hahahaha~

**Uwuvuga** Aho yaja hose, Yesu yarakunda abana- ntiyigeze yibaza ko bomuciramwo ariko aravuga. Yarabakunda kandi bara-muhimbara cane.